## Dukurikije izi mpanuro Sûr Eau yodufasha kwirinda indwara zo gucibwamwo

### Oza ibido ku ndwi ku ndwi mu buryo bukurikira

Suka iritiro 2 z'amazi mw'ibido

Shiramwo udufundikizo 2 twa Sûr'Eau ushiremwo n'intete z'ibigori canke utundi dutete dushobora kwoza mw'ibido imbere

Zungagiza cane iyo bido

Sesa kure ayo mazi

### Niwabona amazi wavomye arimwo ibirohe rindira yireke uce ushira mu mazi wamiminye



Amazi arimwo ibirohe

Rindira ko yireka

Buganiza ayiretse mu yindi bido uce usesa kure ayarimwo ibirohe yasigaye

### Niryari twokwitwararika gukaraba iminwe?

Imbere yo gutegura imfungurwa

Imbere yo gufungura

Uvuye mu kazu ka sugumwe

Uhejeje gukora ku kintu cose gicafuye

# Sûr Eau

# UMUTI USUKURA AMAZI

Naho amazi yoba asa neza ku jisho, ntibibuza ko aba yanduye; ayo mazi yanduye rero ashobora gutera indwara zo gucibwamwo na cane cane ku bana bakiri bato

**Amazi asukuye afasha umuryango kugira ubuzima bwiza**

- Sûr Eau ikoreshejwe neza igihe cose ituma unywa amazi meza
- Sûr Eau nibwo buryo buzimbutse bwo gusukura amazi
- Sûr Eau nta ngaruka mbi igira ku buzima bw'umuntu
- Sûr Eau ikora n'ingoga ku buryo amazi akoreshwa inyuma y'iminota 30
- Sûr Eau isukura amazi yose

*Kurikire neza impanuro ziri ku mpapuro zikurikira*

PSI BURUNDI USAID

# Sûr Eau ikoreshwa ku mazi ayahe?

Amazi yo kunywa

Amazi yo gukaraba

Amazi aronga ibiribwa ari bibisi

Amazi yo kwoza ibikoresho vyo munzu

# Sûr Eau ikoreshwa gute mu gusukura amazi?




Vomesha igikoresho gisukuye kandi gifundikirwa nk'ibido y'amaritiro 20

Mugupima neza, koresha agafundikizo ka Sûr'Eau

Suka agafundikizo kamwe mu maritiro 20 y'amazi

Fundikira neza

Zungagiza ibido kugira bivangane




Rindira iminota mirongo itatu imbere yo kuyakoresha

Koresha igikombe gisukuye mu kunywa ayo mazi

Bika Sûr'Eau kure y'abana kandi ahadashika izuba